**REPUBURIKA Y'UBURUNDI**

**IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU**

**UBUNYAMABANGA BUKURU BWA RETA**

# ITANGAZO N° 07/2024 RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 22 RUSAMA 2024

Inama Nshikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 22 Rusama 2024, i Bujumbura, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu c'Uburundi, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama rukongera rukemezwa, yaciye aha umwanya Umushikiranganji wa mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji yabaye ku magenekerezo ya 16 na 20 Rusama 2024, ivyihwejwe na vyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa muri iyo nama nshikiranganji. Ivyihwejwe rero ni ibi bikurikira :

## 1. Integuro yerekeye ingabire y'inyongera mu mugambi wo guteza imbere ibiharuro mfatiro mu karere ka Afirika y'Ubuseruko,

yashikirijwe n'umushikiranganji w'ikigega ca Reta, ubutunzi no gutunganya imigambi.

Umugambi werekeye guteza imbere ibiharuro mfatiro mu karere ka Afirika y'ubuseruko watangujwe mu mwaka wa 2022 ushira uwa 2023, ukaba ufise ikiringo c'imyaka itanu (5), ukaba ufashwe mu mugongo n'Ibanki y'isi yose. Uwo mugambi urakorana n'ibisata vyo mu bihugu bigize ako karere kugirango bitunganye kumwe itororokanywa ry'ivyo ibiharuro.

Uburundi buheruka kwinjira muri uwo mugambi mu kuronswa n'Ibanki y'isi yose ingabire ingana na miriyoni mirongo ibiri (20) z'amadorari y'Abanyamerika. Ikaba izokoreshwa gushika mu mpera za Ruheshi 2027.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje, ica isaba ko boraba ko bishoboka ko mu buryo bwategekanirijwe kwungura ubumenyi n'ubushobozi hovako ubwo kwigisha abanyeshure bari mu gisata ca Kaminuza y'Uburundi c'i NYAMUGERERA cigisha ivyerekeye ibiharuro mfatiro.

## 2. Integuro y'itegeko nshikiranganji risubiramwo itegeko nshikiranganji n° 710/792 ryo ku wa 02 Gitugutu 2000 rishinga amafaranga atozwa n'ishirahamwe rijejwe guteza imbere igiterwa c'ikigazi ,

yashikirijwe n'umushikiranganji w'ibidukikije, uburimyi n'ubworozi.

Kuva mu mwaka wa 2000, igiciro c'amamesa cagumye kiduga kw'isoko, ariko amatagisi atozwa ntiyigeze ahinduka kandi yategerezwa gufatira kw'ihindagurika ry'ibiciro kw'isoko.

Imvo nyamukuru itumye iri tegeko nshikiranganji risubirwamwo rero ni kugirango amatagisi arihwa yisunge ihindagurika ry'ibiciro kw'isoko, hongere habe guteza imbere amahinguriro y'amamesa kugirango himburwe amamesa y'akaranga n'akanovera. Iyi nteguro irategekanya ibihano ku bakorera mu gisata c'ikigazi bagarariza kuriha amatagasi canke uwushinga ihinguriro ry'amamesa adahawe uburenganzira.

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Secrétariat Général de l'Etat
Cabinet du Secrétaire Général de l'Etat
PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE

REPUBURIKA Y'UBURUNDI

IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU

UBUNYAMABANGA BUKURU BWA RETA

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, yasavye ko hoshingwa amatagisi atavuna, kandi agashirwa mu nteguro y'amafaranga Reta izokoresha mu mwaka wa 2024 ushira uwa 2025.

**3. Integuro y'itegeko rishinga igisata kijejwe gukurikiranira hafi no kugenzura ubuguzi ku matungo-ntimuka,**

yashikirijwe n'umushikiranganji w'inyubako, ibikorwa n'ibikoresho vya Reta no kugwiza uburaro.

Iyi nteguro ije gushiraho inzego n'amategeko bifasha gucungera ingene ubuguzi ku matungo-ntimuka bukorwa kugira ngo abo vyega babe bakingiwe n'amategeko kandi ibiciro bamenyekanisha bibe ari ivy'ukuri. Ayo mategeko azotuma n'abashira imitahe muri ico gisata biyongera, ubusuma bw'amakori na bwo bugabanuke.

Ishirwaho ry'ico gisata kijejwe gukurikiranira hafi no kugenzura ubuguzi ku matungo-ntimuka rizotuma ubuguzi bukurikiranirwa hafi n'inzego zizwi.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro yarayemeje ibanje kuyunganira no kuyitosora mu duce tumwe tumwe.

**4. Integuro y'itegeko nshikiranganji rishinga ibisabwa kugira ngo umunyamutahe yigenga akorere mu gisata co kugwiza uburaro mu Burundi,**

yashikirijwe n'umushikiranganji w'inyubako, ibikorwa n'ibikoresho vya Reta no kugwiza uburaro.

Ibitabu ntunganyamigambi vy'igihugu birashimikira kw'igwizwa ry'uburaro bwiza no kubafise amikoro abayabaye. Bisaba ko ababifisemwo uruhara bose basenyera ku mugozi umwe.

Igitabu c'amategeko atunganya ibisagara, uburaro n'inyubako kiraha uburenganzira abikorera ivyabo bavyipfuza kwinjira mu gisata co kugwiza uburaro. Abanyamitahe ntibahengeshanya kugaragaza ishaka bafise ryo gushira imitahe muri ico gisata, n'amabanki nayo nyene adasigaye inyuma. Reta nayo ikaba ibishigikiye. Iyi nteguro y'itegeko nshikiranganji ije kugirango abashaka gushira imitahe mu gisata co kugwiza uburaro bagire amategeko atomoye bisunga.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje mu vyo yasavye hakaba harimwo yuko inyubakwa zokwubahiriza amategeko agenga itunganywa ry'ibisagara.

**5. Umugambi wihuta wo gukingira imyuzurira Igisagara ca Bujumbura,**

washikirijwe n'umushikiranganji w'inyubako, ibikorwa n'ibikoresho vya Reta no kugwiza uburaro.

Intumbero y'uwo mugambi ni ugutora inyishu yihuta ku myuzurira, gukingira ibishobora kwononekara no gutunganya igisagara ku buryo gishobora guhangana n'ihindagurika ry'ibihe. Uwo mugambi uzofatwa mu mugongo n'Ibanki y'isi yose ku buryo bungana n'imiriyoni mirongo itanu (50) z'amadorari y'Abanyamerika ku kiringo c'imyaka itanu (5).

REPUBLIQUE DU BURUNDI Secrétariat Général de l'Etat Secrétaire ... l'Etat PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE

Ubwo buryo buzokoreshwa mu mice itatu ikurikira:

1° Gutora inyishu yihuta ku myuzurira no kugira inyubako zishobora guhangana n'ihindagurika ry'ibihe kugirango imyuzurira igabanuke mu gisagara ca Bujumbura ;
2° Kwungura ubumenyi no gukomeza inzego mu ntumbero yo gukingira igisagara ca Bujumbura ;
3° Gukurikiranira hafi uwo mugambi no gutegura imitahe yo muri kazoza.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza uwo mugambi, yarawemeje, ica isaba gukorera mu muco ku ntambwe zose z'ikoreshwa ry'ubwo buryo bugenewe uwo mugambi.

## 6. Integuro y'itegeko nshikiranganji risubiramwo itegeko nshikiranganji n°720/540/058/2018 rishinga amafaranga atozwa mu gutwara abantu n'ibintu mu bwato,

yashikirijwe n'umushikiranganji w'ubudandaji, ugutwara abantu n'ibintu, amahinguriro n'ingenzi.

Isubirwamwo r'iryo tegeko nshikiranganji risanzwe rihari rifise amahangiro akurikira :

(i) Gushiraho amatagisi atozwa ku migwi y'ubwato n'ibindi vyogaruzi iryo tegeko ritari ryarashizemwo ;
(ii) Gusubiramwo urugero rw'uburemere bufatirwako mu gutoza ayo matagisi ;
(iii) Gushinga ibihano mu ntumbero yo kugabanura impanuka no gukomeza umutekano mu mazi.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, yarayemeje, mu vyasabwe hakaba harimwo ko amatagisi arihwa mu mafaranga y'amarundi yoba ari ayerekeye ubwato butwara abantu n'ibintu aha mu Burundi gusa.

## 7. Umugambi wo kunyarutsa gukwiragiza umuyagankuba mu gihugu ku buryo burama,

washikirijwe n'umushikiranganji w'amazi meza, amasoko ntanganguvu, ubutare n'agataka.

Mw'ishirwa mu ngiro ry'umugambi w'igihugu w'iterambere usubiwemwo n'irangurwa ry'amahangiro y'imbonakazoza y'igihugu cifashe mu mwaka wa 2040, giteye imbere mu mwaka wa 2060, Reta y'Uburundi iramaze gukora ibitari bike. Yarihaye ihangiro rihambaye ry'uko umuyagankuba woba wakwiye mu gihugu cose mu mwaka wa 2030.

Uwu mugambi wo kunyarutsa gukwiragiza umuyagankuba mu gihugu ku buryo burama uje muri iyo ntumbero, ukaba uzofatwa mu mugongo n'Ibanki y'isi yose ku miriyoni ijana (100) z'amadorari y'Abanyamerika. Uwo mugambi uzofasha mu gukwiragiza umuyagankuba hisunze indinganizo y'igihugu y'ingene utangwa.

Ubwo buryo buzokoreshwa mu mice ine ikurikira:

1° Kwongereza umuyagankuba inyuma y'igisagara ca Bujumbura,

2° Gusanura, kwongereza no gushira ku gihe ibikoresho bitwara umuyagankuba i Bujumbura no mu micungararo yaco ;

3° Gushigikira ishirahamwe ry'abikorera ivyabo rikora mu gisata co gukwiragiza umuyagankuba, WEZA Power, rikaba ari ishami rikorera mu Burundi rya Virunga Power;

4° Inzego zizoshira mu ngiro uwo mugambi zikongera zikarondera ubundi uburyo bukenewe.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza uwo mugambi yarawemeje, ica isaba y'uko mu migambi nk'iyo, hokwama hategekanywa uburyo bwo kwigisha abahinga.

**Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 23 Rusama 2024**

**Umunyamabanga Mukuru wa Reta**

**Jérôme NIYONZIMA**